www.assemblee.bi
www.flickr.com/inamanshingamateka

Facebook: Inama nshingamateka
twetter:@nshingamateka

# IKIYAGO
## C'INAMA NSHINGAMATEKA

N° 22 - Ruheshi 2018

Gisohoka rimwe mu kwezi

INAMA NSHINGAMATEKA

REPUBULIKA Y'UBURUNDI

# ISOZERA RY'IBIRUHUKO VY'ABASHINGAMATEKA MU BIKORWA N'ABENEGIHUGU





Itanguzwa icese mu Burundi ishirahamwe mpuzamakungu ry'Abashingamateka n'Abakenguzamateka baharanira amahoro

Soma kurupapuro rwa 12



Umukuru w'Inama Nshingamateka yahaye umubonano uwuserukira igihugu ca afrika y'epfo mu Burundi

Soma kurupapuro rwa 13



Uguserukirwa kw'Abakenyezi biraraje ishinga abakenyezi batowe

Soma kurupapuro rwa 15

# Abashingamateka b' ikiringo ca 2015 -2020



**Très Hon. Pascal Nyabenda**
**Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Bubanza-Hutu-CNDD-FDD**



**Hon. Agathon Rwasa**
**Icegera ca mbere c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ngozi- Hutu-MizeroY'Abarundi**



**Hon. Jocky Chantal Nkurunziza**
**Icegera ca kabiri c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ruyigi-Tutsi-CNDD-FDD**



Hon. Gloriose AHISHAKIYE
Ngozi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Asha KHALFAN
Kayanza -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon .Fabien BANCIRYANINO
Bubanza - Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Adolphe BANYIKWA
Bujumbura - Hutu- Mizero y'Abarundi



Hon. Chantal BARAMPAMA
Bujumbura - Tutsi CNDD-FDD



Hon. Josélyne BARANYANKA
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jacqueline BARANYIZIGIYE
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Evole P. BASHINGWA
Mairie - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Domitien BAVAKURE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Rémegie BAZIRAHOMPONYOYE
Muramvya - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ildephonse BIGIRINDAVYI
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jérôme BIKORIMANA
Bururi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Simon BIZIMUNGU
Cibitoke - Hutu Mizero y'Abarundi



Hon. Pascal BIZUMUREMYI
Ruyigi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. Renate BUKURU
Ruyigi- Hutu-CNDD-FDD


Hon. Spéciose CIMPAYE
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Angèle CIZA
Kirundo- Tutsi- Mizero y'Abarundi


Hon. Claver COYITUNGIYE
Karusi - Hutu-Mizero y'Abarundi


Hon. Fleurette DUKUNDANE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Léocadie GAFURERO
Bubanza-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Séraphine GAKOBWA
Makamba - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Odette HABONIMANA
Rumonge - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Léopold HAKIZIMANA
Kayanza - Hutu-Mizero Y'Abarundi


Hon. Pascal HAKIZIMANA
Muyinga-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Godeberthe HATUNGIMANA
Rutana - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Vénant HATUNGIMANA
Kayanza-Hutu
CNDD-FDD


Hon. Ferdinand HAVYARIMANA
Gitega - Tutsi-Mizero y'Abarundi


Hon. Juvénal HAVYARIMANA
Bubanza-Hutu
CNDD-FDD


Hon. Mireille INABIGENDERA
Karusi - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Caritas IRAKOZE
Makamba - Tutsi
CNDD-FDD


Hon. Lydia IRAKOZE
Mairie- Tutsi
CNDD-FDD


Hon. Joséphine IRAMBONA
Karusi - Hutu
CNDD-FDD


Hon. Georges KABANGO
Karusi - Hutu
CNDD-FDD


Hon. Ange Denise KAMERE
Muyinga-Hutu
CNDD-FDD


Hon. Denis KARERA
Gitega-HUTU CNDD-FDD


Hon. Amédée RUCARAGI
Gitega-HUTU- CNDD-FDD


Hon. Uziel KUBWIMANA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD


Hon. J. Claude KWIZERA
Mwaro -Tutsi- Mizero y'Abarundi


Hon. Pamphile MALAYIKA
Muyinga- Hutu-Mizero Y'Abarundi


Hon. Pascasie MANIRAKIZA
Ngozi-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Térence MANIRAMBONA
Gitega - Hutu-Mizero
Y'Abarundi


Hon. Sauda MBONEKO
Bujumbura - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Noé MBONIGABA
Ruyigi-Hutu-Mizero
Y'Abarundi


Hon. François MBONIHANKUYE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Adolphe MBONIMPA
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Gilbert MBONINYIBUKA
Makamba-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Amedée MISAGO
Muyinga - Hutu
CNDD-FDD


Hon. François MPITABAVUMA
Muyinga - Hutu
CNDD-FDD


Hon. Xavière MUHIMPUNDU
Karusi - Tutsi
CNDD-FDD


Hon. Jean Bosco MUHUNGU
Rutana - Tutsi
CNDD-FDD


Hon. Léonidas MUKESHIMANA
Rumonge-Hutu
CNDD-FDD


Hon. Euphrasie MUTEZINKA
Kirundo-Tutsi
Mizero y'Abarundi


Hon. Lazare MVUYEKURE
Gitega-Hutu
CNDD-FDD


Hon. Persille MWIDOGO
Ngozi-Tutsi
CNDD-FDD


Hon. Claude NAHAYO
Ngozi-Hutu
CNDD-FDD


Hon. Immaculée NAHAYO
Kayanza - Hutu
CNDD-FDD


Hon. Gélase NDABIRABE
Kayanza-Hutu
CNDD-FDD


Hon. Zénon NDARUVUKANYE
Bujumbura - HUTU
CNDD-FDD


Hon. Canesius NDAYIMANISHA
Kayanza - Hutu
CNDD-FDD


Hon. Juvenal NDAYIRAGIJE
Rutana - Hutu
CNDD-FDD


Hon. Bernard NDAYISENGA
Mairie - Hutu-Mizero
Y'Abarundi


Hon. Emmanuel NDAYISHIMIYE
Bururi - Hutu-Mizero y'Abarundi


Hon. André NDAYIZAMBA
Bururi-Tutsi
UPRONA


Hon. Gloriose NDAYIZEYE
Gitega- Hutu
CNDD-FDD


Hon. Angele NDIHOKUBWAYO
Bururi - Tutsi
CNDD-FDD



Hon. P.Célestin NDIKUMANA
Bujumbura-Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. Gilbert NDUWAYO
Makamba-Hutu
CNDD-FDD



Hon. Dévote NDUWIMANA
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Déogratias NDUWIMANA
Ngozi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Rénovat NDUWUMWAMI
Makamba - Hutu-Mizero Y'Abarundi



Hon. Anglebert NGENDABANKA
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Egide NGERAGEZE
Ruyigi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ladislas NINDEREYE
Muramvya - Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Gloriose NIMENYA
Rumonge-Tutsi
UPRONA



Hon. Godelieve NININAHAZWE
Mwaro - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Felix NIRAGIRA
Ngozi- Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Justin NIYOBUHUNGIRO
Cibitoke - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Justine NIYONGABO
Cankuzo - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Lewis NIYONGABO
Mairie - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Gloriose NIYONSENGA
Kirundo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Constantin NIYONZIMA
Ngozi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Salvator NIYUKURI
Rutana-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Emmanuel NKUNZIMANA
Bujumbura - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Claude NKUNZIMANA
Ruyigi- Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Olive NKUNZIMANA
Ngozi -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Georges NSHIMIRIMANA
Gitega - Hutu-CNDD-FDD



Hon. M. Chantal NSHIMIRIMANA
Ngozi- Twa



Hon. M. Jeanne NTAGAHORAHO
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Apolinaire NTAHIMPERA
Muramvya- Hutu-CNDD-FDD



Hon. Hilaire NTAHOMVUKIYE
Kayanza - Tutsi CNDD-FDD


Hon. Adolphe NTAHONDEREYE
Mairie - Twa


Hon. Aloys NTAKIRUTIMANA
Cibitoke-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Obed NTAKIYIRUTA
Rumonge - Hutu-Mizero Y'Abarundi


Hon. Emmanuel NTEZUKOBAGIRA
Bururi - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Ruth NTIBASHARWA
Cibitoke - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Gaudence NTIRANDEKURA
Mwaro - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Gabriel NTISEZERANA
Bubanza-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Adrien NYANDWI
Kayanza - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Claire NYANDWI
Makamba - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Nestor NZEYIMANA
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Zaïnabu NZEYIMANA
Gitega - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Séraphine NZEYIMANA
Rumonge - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Révérien NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. J. Baptiste NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Consolate NZIGAMISONI
Cibitoke - Tutsi-Mizero Y'Abarundi


Hon. Benigne RURAHINDA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD


Hon. James SAMAGORWA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Eric SINDAYIGAYA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD


Hon. Sylvestre SINDAYIHEBURA
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. J. Pierre SINZINKAYO
Bujumbura-Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Vincent SUKUNOBA
Gitega - Twa


Hon. Ildephonse TURIMUMUGABO
Muyinga -Hutu-CNDD-FDD


Hon. Anicet TUYAGA
Mwaro - hutu-CNDD-FDD


Hon. Ibrahim UWIZEYE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD


Hon. Léocadie YAMUREMYE
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD

IVYARANGUWE N'UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA

# ISOZERA RY'IBIRUHUKO VY'ABASHINGAMATEKA MU BIKORWA N'ABENEGIHUGU



Kw'igenekerezo rya 02 ruheshi umwaka w'2018, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarifadikanije n'abenegihugu bo ku mugwa mukuru wa Komine Nyabiraba Intara ya Bujumbura mu bikorwa rusangi. Bariko barayanga isima n'urucekeri vyo gukora igisenge ca mbere c'Ishure ry'Imyuga ry'aho i Nyabiraba.



Abashingamateka n'Abakenguzamateka batowe mu Ntara ya Bujumbura , Umushikiranganji w'Urwaruka nawe nyene avuka muri iyo ntara n'izindi mvukira bari bitavye ivyo bikorwa.

Mw'ijambo ry'ikaze, Bulamatari w'intara ya Bujumbura Nadine Gacuti yamenyeshejeko amahoro n'umutekano bikwiye muri iyo ntara. Yavuze kandi ko abenegihugu bo mu ntara ya Bujumbura bamaze gutegera akamaro k'ibikorwa rusangi ngo n'ikimenyamenya nuko bavyitabira ku bwinshi. Bulamatari w'Intara ya Bujumbura yavuze kandi ko mu makomine 9 agize iyo ntara biyemeje kwubaka amashure ya kijambere ageretse. Ikindi yabwiye Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka nuko abenegihugu bitabiriye ku bwinshi amatora y'Ibwirizwa Shingiro ryo kuwa 17 rusama umwaka w' 2018 ku bitigiri vya 75 kw'ijana.

Mw'ijambo rya Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka, yabanje gukeza abenegihugu bo mu ntara ya Bujumbura kuko biteye iteka mu kwitaba ku bwinshi amatora y'Ibwirizwa Shingiro.

Yaciye abamenyeshako intambwe zose zubahirijwe mu bijanye n'iryo Bwirizwa Shingiro. Ati Umugwi wigenga w'igihugu ujejwe gutegura

amatora waramaze gutanga ivyavuye mu matora muri Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro nayo ikaba imaze kwemeza ivyavuye muri ayo matora. Ati rero Ibwirizwa Shingiro rishasha ryemejwe ku bice



73%. Ati hasigayeko riterwako igikumu na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu. Yaciye yongerako hamwe ryotegwako igikumu rizoca rishigwa mu ngiro.

Nyakwubahwa Pascal NYABENDA akaba kandi yateye akamo abenegihugu bo mu ntara ya Bujumbura kubana mu mahoro n'umutekano haba abatoye ego canke abatoye oya kuko Ibwirizwa Shingiro rizogenga bose cokimwe. Ati nta numwe ategerezwa kuzira ko yatoye Ego canke Oya ngo kuko ni mu ntwaro rusangi. Ati amatora yaraheze, n'umwanya wo kuja ku bikorwa vy'iterambere rusangi. Ati nk'Umukuru w'Inama Nshingamateka, Urwego rujejwe gutora amategeko nobamenyeshako Ibwirizwa Shingiro riza imbere kuko ayandi mategeko yose arikomokako.

Ati rero amategeko amwe arimwo ingingo ziri kubiri n'Ibwirizwa Shingiro rishasha ategerezwa gusubirwamwo. Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaboneyeho akaryo ko gutera ivyatsi abatanguye kuzana ibibazo vy'ubwoko mu bijanye n'itorwa ry'Ibwirizwa Shingiro. Yababwiye kandi ko uburuhuko bw'Abashingamateka buheze ati bisunze Ibwirizwa Shingiro rihari bazugurura ibikorwa vy'Abashingamateka n'Abakenguzamateka ku musi wa mbere w'ukwezi kwa gatandatu, hakazoba ari kw'igenekerezo rya 04 ruheshi umwaka wa 2018.

Nyakwubahwa Pascal NYABENDA Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaheraheje ijambo ryiwe ashimira abenegihugu bo mu ntara ya Bujumbura kuko bamaze gutegera akamaro k'ibikorwa vy'iterambere rusangi no kuba babungabunga amahoro n'umutekano.

**Florine MUKESHIMANA**

## UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA MU BIKORWA VY'ITERAMBERE RUSANGI MURI ZONE MUYEBE



Kw'igenekerezo rya 16 ruheshi umwaka w'2018, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarifadikanije n'abenegihugu bo muri Zone Muyebe, Komine Musigati Intara ya Bubanza mu bikorwa vy'iterambere rusangi. Muri ivyo bikorwa bavanga isima n'urucekeri vyo kwubaka umushinge w'ibiro vya Zone Muyebe. Mw'ijambo ryo kwakira abashitsi, Musitanteri wa Komine Rugazi yavuze ko muri iyo misi iheze, hiboneke je ingeso y'abenegihugu baja kwimba ubutare bwa Coltan mw'ishamba rya Kibira. Ngo bivanye n'uko babwimba binyuranye n'amategeko ngo hari umuntu yitavye Imana abandi 2 barakomereka baguweko n'umusozi hari kw'igenekerezo rya 07 ruheshi.

Mw'ijambo ryiwe Nyakwubahwa Pascal NYABENDA Umukuru w'Inama Nshingamateka yarashimiye abenegihugu bo muri zone Muyebe kuba baritavye ku bwinshi amatora y'Ibwirizwa Shingiro ku bice 98%. Ati ico mwomenya nuko Ibwirizwa Shingiro rishasha ryatewe igikumu kw'igenekerezo rya 07 ruheshi umwaka wa 2018 na Nyenicubahiro Petero NKURUNZIZA Umukuru w'Igihugu c'Uburundi rizogenga bose, abatoye Ego canke Oya. Ngo hamwe hogira uwuja kubiri n'iryo Bwirizwa Shingiro azohanwa hisunzwe amategeko.



Ku bijanye n'ibikorwa rusangi, Umukuru w'Inama Nshingamateka yarashimiye abenegihugu ko bamaze gutegera akamaro kavyo. Ku bijanye no gucukura ubutare harenzwe amategeko, Umukuru w'Inama Nshingamateka yasavye abenegihugu bo ku Muyebe Komine Musigati gushengeza abo bose bakora ivyo bikorwa bigayitse.

Ati ntimwibagire ko nimba mubona imvura igwa ku bwinshi hano iwanyu ari kubera ico Kibira, ati ni murabe muri Komine Gihanga bategereye ico Kibira imvura ntigwa neza. Yabamenyeshejeko umuntu wese azofatwa ariko arimba ubutare binyuranye n'amategeko azofatwa, agahanwa hisunzwe amategeko. Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yasavye abenegihugu gukundana kugira bashike kw'iterambere rirama. Ku bijanye n'ibarabara rihuza Komine Musigati na Zone Muyebe ryononekaye, yaciye yemerera ishirahamwe Twitezimbere amasuka, ibipawa, amashipiri, inkorofani n'ibeni yiwe kugira bibafashe gukora iryo barabara. Nawe ubwiwe Nyakwubahwa Pascal NYABENDA akaba yavuzeko azokwifadikanya nabo abashiriye n'agahembo azoba yaronse. Akaba kandi yemeye imifuko 20 y'isima aterereye kugira babandanye bubaka ibiro ya Zone ya Muyebe.

Mu guheraheza urwo rugendo rwiwe muri Zone Muyebe, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaratanze imfashanyo y'umuceri ku miryango 150 y'abageze mu za bukuru n'abandi ba ntaho nikora.

**Florine MUKESHIMANA**

# IBIKORWA RUSANGI MU GISAGARA CA BUJUMBURA



Kw'igenekerezo rya 30 ruheshi umwaka wa 2018, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarifadikanije n'abenegihugu bo muri Zone Kamenge Komine NTAHANGWA mu bikorwa vy'iterambere rusangi.

Muri ivyo bikorwa bariko baravanga urucekeri n'isima vyo gusasa mu birasi vy'Ishure Shingiro ry'aho mu Kamenge nyene. Abenegihugu benshi harimwo Abatowe mu gisagara ca Bujumbura n'izindi mvukira bakaba bari bitabiriye ivyo bikorwa vyo kwiyubakira inyubakwa rusangi. Mw'ijambo ry'ikaze ryavuzwe n'Umuhanuzi w'Umukuru w'Igisagara ca Bujumbura, yarashimiye Umukuru w'Inama Nshingamateka ko yaje kwifadikanya nabo mu bikorwa

vy'iterambere rusangi. Ngo n'ikimenyetso ko yitayeho iterambere ry'igisagara n'igihugu cose. Nyakwubahwa Pascal NYABENDA akaba mw'ijambo yashikirije abenegihugu bo muri Komine Ntahangwa yarabakeje kuko bategereye akamaro k'ibikorwa rusangi. Ati mbere mwebwe muramaze kuvyibonera ivyo tumaze kwiyubakira. Yaciye anabashimira kandi ko babandanya babumbatira amahoro n'umutekano.

Ati abahungabanya amahoro n'umutekano ntibabura, ariko barafatwa bivanye n'ugukorana kw'abenegihugu n'abajejwe umutekano kandi bakaba bacirwa imanza hisunzwe amategeko. Ati mugabe rero kugira ivyashitse muri 2015 ntibize bisubire. Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA akaba yamenyesheje abenegihugu bo muri Zone Kamenge ko batanguye uburuhuko bwo mu kwezi kw'indwi hisunzwe Ibwirizwa Shingiro rishasha rya Republika y'Uburundi. Yaciye atera akamo abajejwe intwaro gutegura ibikorwa bizohuza Abashingamateka n'abenegihugu cane cane kugira



bagumane n'urwaruka ruzoba ruri mu buruhuko. Ivyo rero ngo bizotuma urwaruka rutaja mu ngeso mbi haba kunywa ibiyayuramutwe canke mu migwi y'inyoshambi.

Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yaboneyeho n'akaryo ko guhanura urwaruka n'abandi benegihugu kwirinda inzoga zitemewe n'amategeko kuko zonona amagara y'abantu. Akanashimira abajejwe intwaro kuko bateye intambwe mu kurwanya izo nzoga. Aca asaba abenegihugu bo mu Kamenge gushengeza abo bakora bakongera bakadandaza izo nzoga.

Yaciye asaba abenegihugu bo mu gisagara ca Bujumbura kuzitaba ku bwinshi ibirori vyo guhimbaza imyaka 56 iheze Uburundi bwikukiye. Ati n'umusi wa mbere tuzoba tuwuhimbaje kuva aho abarundi bazoba bitoreye Ibwirizwa Shingiro rishasha, iryo Bwirizwa Shingiro rikaba ari intambwe ya mbere yerekana ukwikukira nyakwo k'Uburundi.

**Florine MUKESHIMANA**

# UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA YARUGURUYE ICESE ISANDUGU RYO KUZIGANYA NO KUGURANANA TUJANE.

Kw'igenekerezo rya 15 ruheshi 2018, Umukuru w'Inama Nshingamateka nyakwubahwa Pascal NYABENDA, yaruguruye icese isandugu ryo kuziganya no kugurananana TUJANE ku cicaro caryo kiri ku mugwa mukuru w'intara ya Bubanza. Iciyumviro co gushiraho iryo sandugu cavutse mu mwaka w'i 2016 aho imvukira z'intara ya Bubanza zagiye hamwe zibona ko hakenewe ko hobaho mu ntara agasandugu koza karafasha abenegihugu kuronka imitahe mitomito ibatuma barangura imigambi yo kwiteza imbere. Bakaba baciye baja hamwe bavanga imitahe, bakaba batanguje umutahe ungana n'imiliyoni 500 z'amarundi hamwe n'abakozi bagera kw'i 10.




Mu vyo bategekanya, abarongoye isandugu TUJANE bakaba babona ko mu mwaka umwe bazoba bamaze kwugurura amashami ya TUJANE

mu makomine yose agize intara ya Bubanza, hamwe no mu zindi ntara nka Bujumbura na Cibitoke, nk'uko vyamenyeshejwe n'Umukenguzamateka Immaculée NDABANEZE, yatowe mu ntara ya Bubanza, ari nawe arongoye inama Mpamuzwajambo y'iryo sandugu TUJANE.

Yamenyesheje kandi ko ishirwaho ry'ako gasandugu TUJANE ari ikimenyetso cerekana ko imvukira zigiye hamwe, zishobora kurangura imigambi ikomeye yo guteza imbere intara yabo. Akaba yaciye ahamagarira abenegihugu kuza ari benshi kubikisha amafaranga yabo muri ako gasandugu.

Mw'ijambo yashikirije, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA, yamenyesheje ko nk'uko izina ry'aryo ribivuga, isandugu ryo kuziganya no kuguranana TUJANE ryaje kugira rihuze abanyabubanza batere bajana imbere mw'iterambere. Ati abenegihugu b'i Bubanza bahora barinda kuja mu zindi ntara cane cane mu gisagara ca Bujumbura kubikisha amafaranga yabo hamwe no gusaba amadeni. Ati rero ubu ko agasandugu TUJANE kaje kubegera, ntibazoba bakigira ingendo ndende baja kurondera amabanki. Ati ubu wa muyangayanga, umwe adandaza imikate, umwe w'i butike, umurimyi yaje gushora utwo yimbuye mw'isoko,…. ntibazoba bagitahana



amafaranga badandaje aho bashobora mbere no kwibwa, ubu bahejeje kudandaza bazoca binyavya mu gasandugu TUJANE kubikisha udufaranga twabo.

Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yarongeye avuga ko intumbero y'indi y'ako gasandugu ari uko umunyabubanza wese afise umugambi mwiza w'iterambere awuzana mu gasandugu TUJANE hama bakamuha akadeni k'umutahe. Akaba yaciye asaba abenegihugu gukorera hamwe mu mashirahamwe, ivyo bigashobora kuborohera gutegura imigambi myiza yo kwiteza imbere, agasandugu TUJANE nako kakabaha akadeni vyoroshe. Ariko Nyakwubahwa Pascal NYABENDA akaba yarabavuniye akagohe ati agasandugu TUJANE ni kabaha ideni, ntimuzoce muja kwifatira agacupa canke ngo muyakoreshe ibindi bintu mutateguye, ati azoba ari amafaranga yo kurangura imigambi yo kwiteza imbere gusa. Ati nico gituma bisaba ko mutegura imigambi myiza kandi myiyumviriyeko bikwiye.

Nayo kubakozi b'agasandugu TUJANE, yabasavye kwakira neza abazoza babitura bose bataravye nkunzi. Ati uyu mugambi wa TUJANE uvuye mu cuya cacu, kugira ngo aka gasandugu gatere imbere, bizova ahanini kuri mwebwe. Ati urya adandaza amakara, urya adandaza ubufu, urya muyangayanga,…. ni yaza abitura yambaye impuzu z'akazi aje kubikisha udufaranga yiriwe arakorera, ntimuze mumutere akagere, ahubwo muze mumwakire nk'umukiriya.

Ivyo birori bikaba vyari vyitabwe n'abategetsi batandukanye, nk'Umushikiranganji w'Ikigega ca Leta, Umushikiranganji w'Iyinjira ry'Uburundi mu Muryango w'Ibihugu vya Afrika y'Ubuseruko, Umushikiranganji w'Ubudandaji n'Amahinguriro, Umushikiranganji w'Ubutare n'Agataka, Umukuru wa Banki Nkuru y'igihugu, hamwe n'abategetsi b'imvukira z'intara ya Cibitoke ihana urubibe n'intara ya Bubanza.

**Arlette AKIMANA**

# ITANGUZWA ICESE MU BURUNDI RY' ISHIRAHAMWE MPUZAMAKUNGU RY'ABASHINGAMATEKA N'ABAKENGUZAMATEKA BAHARANIRA AMAHORO

Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'Uburundi zifadikanije n'Umuryango uharanira amahoro kw'isi baratanguje icese Ishirahamwe Mpuzamakungu ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka Ziharanira Amahoro mu Burundi, kw'igenekerezo rya 25 ruheshi 2018. Ibirori vyatangujwe n'igisabisho hamwe n'ururimbo ruhayagiza iryo huriro(FPU). Umukuru w'Inama Nkenguzamateka Nyakubahwa NDIKURIYO Révérien yabitangiye muri iryo shirahamwe, mw'ijambo ry'ikaze yashikirije, yaciye aronkeraho n'akaryo ko kwerekana abagize ibiro vy'iryo shirahamwe rivutse AIPP ryo mu Burundi. Akaba yarerekanye Abashingamateka n'Abakenguzamateka bashika 13 aribo b'aba: Umukuru w'iryo shirahamwe: Umukenguzamateka NIYONGABO Anicet ;

Ivyegera vyiwe bitanu (bazorongora imigwi 5): Umushingamateka BARANYIZIGIYE Jacqueline, Umushingamateka MUHUNGU



Jean Bosco, Umushingamateka HABONIMANA Odette, Umukenguzamateka NGABONZIZA Gerard, n'Umukenguzamateka NDABANEZE Immaculée. Uwegeranya ivyaranguwe: Umushingamateka NIYONZIMA Constantin,

Icegera c'uwegeranya ivyaranguwe : Umukenguzamateka HAKIZIMANA Gloriose, Umunyabigega: Umushingamateka MBONEKO Saouda, Icegera c'Umunyabigega : Umukenguzamateka BIGIRIMANA Goreth;

Abahanuzi: Umushingamateka NKUNZIMANA Emmanuel, Umushingamateka NGENDABANKA Anglebert, Umukenguzamateka SINDAYIKENGERA Apollinaire. Abo bose baciye barahira umwe umwe, badugije ikiganza c'iburyo. Bakaba batanguriye ku Mukuru w'ivyo biro.

Umukuru w'ivyo biro ; Umukenguzamateka NIYONGABO Anicet akaba ari Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka y'Uburundi yavuze ko mu kwinjira muri urwo runani rw'abaharanira amahoro, ngo ni ukugira barabe ico boterera mu ntumbero yo kurandurana n'imizi intambamyi nyinshi



zihungabanya umutekano.

Ati kuba duserukira abenegihugu tuzi vyinshi bizotuma duharanira ayo mahoro n'umutekano n'iterambere. Muri ivyo birori, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaratewe iteka ryo kwitwa uwuharanira amahoro mu makungu. Iryo zina akaba yarishikirijwe n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka Reverien NDIKURIYO we yarironkejwe kera, kw'igenekerezo rya 18 nzero 2018 i Dakar ku murwa mukuru w'a Senegale. Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaravuze ko ingingo ngenderwako z'iryo shirahamwe zifise isano rinini n'Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi ryashizweko umukono igenekerezo rya 7 ruheshi 2018; cane cane mu kigabane caryo ca 11 na 28, aho muri izo ngingo harimwo vyinshi vyerekeza ku Mana, hakubahirizwa ubutandukane bw'amadini, n'ukwubahiriza kiremwa muntu. Abashingamateka n'Abakenguzamateka bakaba kandi bariyemeje guharanira amahoro n'umutekano bishimikije ububasha bahabwa n'ababatoye.



Intumbero nyamukuru rero z'iryo Shirahamwe Mpuzamakungu z'amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka Ziharanira Amahoro, AIPP, ni izi:

Guteza imbere intwaro ibereye mu bice vyinshi vyo mu kibano;

Guteza imbere inyigisho z'akanovera ku Bashingamateka n'Abakenguzamateka; Guteza imbere ikiyago n'ugufashanya hagati y'Abashingamateka n'Abakenguzamateka bo mu bihugu vyo kw'isi yose, mu ntumbero yo gushigikira amahoro n'iterambere ku kiremwa muntu;

Gukingira n'ukubungabunga agateka ka kiremwa muntu kuko abana b'abantu bose bagize umuryango wagutse; Gushigikira imiryango nk'umushinge wo mu kibano;

Gukora ibikorwa vyiza kugira bizerwe, bubahane,kandi abantu bafashanye;

Gukora ku buryo amadini abana neza akongera agafashanya kuko ari vyo bikenewe mw'isi itekanye.

Twobamenyesha ko abo abanywanyi bashasha baciye bashira umukono kuri izo ngingo z'iryo shirahamwe.

**Pétronie BUCUMI**

# UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA YARAHAYE UMUBONANO UWUSERUKIRA IGIHUGU CA AFRIKA Y'EPFO MU BURUNDI

Kw'igenekerezo rya 29 Ruheshi umwaka wa 2018, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yarahaye umubonano uwuserukira igihugu ca Afrika y'epfo mu Burundi Oupa MONARENG.

Igihe bari bahejeje uwo mubonano, Oupa MONARENG aserukira Afrika y'epfo mu Burundi yavuzeko yarl aje kumusezera kuko ikiringo co guserukira Afrika y'Epfo mu Burundi cari kirangiye. Akaba yamenyeshejeko ashima muri rusangi ugukorana neza kwaranze Ubuserukizi bwa Afrika y'Epfo n'Inama Nshingamateka. Oupa MONARENG yashikirije kandi ko imibano myiza iranga Abarundi



ikwiriye kuba akarorero mu karere no muri Afrika yose. Akaba rero yemeye ko naho asubiye inyuma mu gihugu ciwe azogumiza ku mutima igihugu c'Uburundi mbere ngo azoza arakivugira aho ageze hose.

Umuvugizi w'Inama Nshingamateka nawe Alexis Badian NDAYIHIMBAZE akaba yabwiye abamenyesha makuru ko kuva kera, igihugu c'Uburundi n'ica Afrika y'Epfo bafitaniye imigenderanire myiza. Ngo kandi Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba ashima cane uko uwo aserukira Afrika y'epfo mu Burundi yakoranye n'Inama Nshingamateka.

**Florine MUKESHIMANA**

# UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA YARAHAYE UMUBONANO UMUKURU W'ISHIRAHAMWE MPUZAMAKUNGU RYABASHINGAMATEKA NABAKENGUZAMATEKA BAHARANIRA AMAHORO

Kw' igenekerezo rya 25 Ruheshi umwaka wa 2018, Umukuru w'InamaNshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA, yarahaye umubonano Umukuru w'Ishirahamwe Mpuzamakungu ry'Abashingamateka n'Abakenguzamateka baharanira Amahoro AIPP mu mpfunyapfunyo Muganga THOMAWALSH hamwe n'umunyamabanga wiryo shirahamwe. Bari baje gutanguza ibikobwa vy'iryo shirahamwe mu Burundi. Abashingamateka n' Abakenguzamateka baratahuye ko amahoro ariwo mushinge w'iterambere kandi ko inguvu z'uguharanira amahoro zotsimbatazwa muri Afrika. Ishirahamwe riharanira amahoro kw'isi rifise imigambi myinshi muri iyo migambi harimwo imigambi yogushigikira ibikorwa y'Abashingamateka n' Abakenguzamateka vyo gutsimbataza amahoro kw'isi yose. Ishirahamwe Mpuzamakungu ry'Abashingamateka n' Abakenguzamateka rimaze kugaragara mu bihugu 80 vyo kw'isi ariko Ishirahamwe Riharanira Amahoro kw'isi riri mu bihugu 146 kw'isi.Ku vyerekeye igihugu c'Uburundi, iryo shirahamwe rikaba vyari rihejeje kuvuka.Iryo shirahamwe rifise intumbero yo guharanira amahoro kugira Uburundi bushike kw'iterambere.



Muri ico gihe, ntitwovuga ko amahoro asigura ko ata ngwano ihari nkuko tuvyumva ariko iyo igihugu cugarijwe n'ubukene n'inzara, amahoro n'umutekano birahungabana.

Iryo shirahamwe rirakora kugira biganiro vyahuje Abarundi, ko navyo nyene vyoshirwa mu gisata co guharanira amahoro, Umukuru w'Inama Nshingamateka yarasavye ko iryo shirahamwe ryoshigikira ivyo biganiro bihuza Abarundi haba ivyabereye hagati mu gihugu canke ivyabereye i Arusha mu gihugu ca Tanzaniya.Twobamenyesha ko Umukuru w'Inama Nkenguzamateka n'Abashingamateka n' Abakenguzamateka bamwe bamwe



rifashe gutsimbataza amahoro mu bisata vyose vyo kwisi. Umukuru w'Inama Nshingamateka n'Umukuru w'Ishirahamwe ry'Abashingamateka n' Abakenguzamateka baragarutse ku bari bamaze kwitabirira amanama y'iryo shirahamwe.

**J Baptiste Claude NIJIMBERE**

# UGUSERUKIRWA KW'ABAKENYEZI BIRARAJE ISHINGA ABAKENYEZI BATOWE



Naho abo vyega bakora uko bashoboye kugira umukenyezi aserukirwe, Umukenyezi aguma aserukiwe ku bice biri hasi, gushika ku bice 17%. Ivyo ni ivyavuye mu cigwa cagizwe n'abakenyezi bari mw'ishirahamwe ry'abakenyezi bahungutse b'i Burundi, AFRABU, kuva mu mwaka wa 2016. Ico cigwa bagikoze kugira bamenye ingene umukenyezi aserukiwe mu nzego zifata ingingo mu vyerekeye amahoro n'umutekano.

Ivyo biharuro bikaba vyashizwe ahabona kw' igenekerezo rya 15 ruheshi 2018 n'umukenyezi Concessa BARUBIKE umuhuzabikorwa mu mugambi bise uburyo bwo gusaba kugira hitabweho ivyo mu kibano. Umugambi wateguwe n'abo bakenyezi nyene. Hari mu nama bari bateguye yo guhanahana ivyiyumviro n'ugushinga intahe kuri uko guserukirwa kw'abakenyezi muri politike. Iruhande y' Abashingamateka, hari hatumiwe abakenyezi batowe mu nzego zitandukanye bo mu Rumonge, Bururi, Makamba, na Mwaro. Harimwo kandi n'abakenyezi baje baserukiwe bakorera mu



mashirahamwe atandukanye. Abo muri izo ntara zavuzwe bakaba batowe kubera ari ho basanze ibiharuro vyo guserukira k'umukenyezi biri hasi cane.

Abakenyezi batowe bakaba barashize ahabona ingorane bagiye bahura nazo, ivyabateye intege, ivyigwa bakuyemwo n'ingene boduza igitigiri c'abakenyezi mu nzego zifata ingingo.

Abo bakenyezi bakaba bipfuza ko umusi mpuzamakungu wahariwe umukenyezi kw'igenekerezo rya 8 ntwarante woba uw'akaruhuko. Basavye kandi ko umukenyezi akuwe mu mabanga y'igihugu yosubirirwa n'umukenyezi nkawe mu ntumbero yo kurwanira n'ico gitigiri gito basanganywe. Bararonse kandi akanya ko kumenyeshwa ivyavuye mu cigwa bagize co kuraba urugezo umukenyezi aserukiweko mu bijanye n'umutekano n'amahoro, vyakozwe mu mwaka wa 2017. Bihweje ivyari vyakozwe muri 2016, aho umukenyezi yari aserukiwe ku bice 17%; mu mwaka

w'2017 hakaba harabaye akarusho hamwehamwe kerekeza ku kunganisha abakenyezi n'abagabo mu bice bitandukanye vy'akazi.



Aho ako karusho kabonetse mu mwaka wa 2017, ni mu bushikiranganji bw'ubutungane mu bice vyose. Muri 2016, muri ubwo bushikiranganji umukenyezi yari aserukiwe gushika ku bice 7%gusa; ariko muri 2017, basanze baserukiwe muri ubwo bushikiranganji gushika ku bice 23%, ni ukuvuga ko hiyongereyeko ibice 16%.

Ntivyumvikana kubona igitigiri kinini c'abakozi b'ubushikiranganji bw'indero kigizwe n'abakenyezi, ariko ugasanga batari mu burongozi bw'amashure. Bapfunditse rero ko , kugira igitigiri co guserukira abakenyezi kiduzwe mu nzego zo gufata ingingo, bisaba ko abakenyezi baronka umwanya wo kuja mu vya politike. Gutyo bazomenyeraho ico amategeko abarekurira, ingene boja kudodora hirya no hino ku bafata ingingo. Bakabuza kandi abakenyezi ko boja kwubakana n'umugabo asanzwe afise uwundi mugore, bagasaba nyabuna ko bobanza kuja kwandikwa imbere y'amategeko.

Abo batowe rero bakaba baripfuje ko ico bise « Umuhivu w'imboneza »cogira inguvu cane: Ni umugwi w'abakenyezi b'imboneza batowe ku bice vyose; bishize hamwe kugira bahimirize abakenyezi ngo baje mu matora kandi bongere bitoze kugira barabe ko ico gitigiri coduzwa. Bakabasaba ko bogira inguvu bakazoja mu nzego ari uko batowe.

**Pétronie BUCUMI**

# IBIKORWARUSANGI VYABEREYE MU NTARA YA RUYIGI



Mu ntara ya Ruyigi, ibikorwa vy'iterambere rusangi vyo ku wa 23 ruheshi 2018 vyabereye ku kibuga ca kijambere URUMURI c'aho mu Ruyigi. Bikaba vyari vyatewe iteka n'Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka NKURUNZIZA Jocky Chantal. Ivyo bikorwa vyari ivyo gusukura n'isima ivyumba vyo kwihinduriramwo. Abakozi bo mu muhora wa telefone

wa Econet Leo bakaba nabo batatanzwe muri ivyo bikorwa. Bakaba baciye bemera ko bazoterera imifuko 100 y'isima yo kubandanya ibikorwa kuri ico kibuga. Mu majambo yashikirije , Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yahamagariye abenegihugu kubungabunga ico kibuga ngo kuko ari ngirakamaro atari ku bo bibarutse gusa ndetse no ku zindi nkino mpuzamakungu zizotegurirwa ngaho. Yabamenyesheje kandi ko umusezero wa kijambere uzoshirwa kuri ico kibuga wamaze gushika.

Inyuma y'ivyo bikorwa rusangi, Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yaciye aja muri komine ya Bweru zone Busoro umutumba wa Gasenyi kwifatanya n'abenegihugu mu guhimbaza umunsi mpuzamakungu wahariwe kubungabunga ibidukikije. Akaba yarifadikanije nabo mu bikorwa vyo kuyoreza imbuto z'ibiti kugira bazoronke imivyaro bazotera. Umuhanuzi mukuru wa buramatari akaba yarashikirije ijambo nyamukuru ryarungitswe na Leta y'Uburundi, iryo jambo rikaba ryavuga canecane gukingira isi ndimwa mu kurwanya ibikoresho bitabora. Icivugo kuri uwo munsi



cari « turwanye itituka ry'isi bivuye ku tumwanya»

Mw'ijambo ryashikirijwe n'Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yabasavye ko bokwitaho ayo matuta kugira bazoronke imivyaro ikwiye yo kuzotera ku misozi mu kiringo c'umwaka wa 2018 -2019. NKURUNZIZA Jocky Chantal yarasavye abo benegihugu kurwanya ibikoresha bitabora vyo mu bwoko bw'utumwanya mu ntumbero yo kubungabunga ibidukikije. Yabasavye kandi kurwanya imiriro ya nyakanga n'ugukingira isi mu guca imikobeko ku misozi ihanamye n'ugutera ivyatsi birwanya inkukura kuri iyo. Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yabasavye kandi kurima ibiterwa binyaruka kwera mu myonga muri iki gihe c'ici. Mu rugendo yarimwo mu ntara ya Ruyigi yarifadikanije kandi n'abakristu bo mw'ishengero ry'Abagenzi ryo Kw'Isumo, bari baramutse bahimbaza yubire y'imyaka 70 iryo shengero rimaze rivuga ubutumwa bwiza. Hari ku munsi w'Imana igenekerezo rya 23 ruheshi 2018. Mw'ijambo yashikirije, Umushingamateka NKURUNZIZA Jocky Chantal yamenyesheje ko akenguruka ibikorwa vy'iterambere birangurwa n'iryo shengero haba mu gisata c'indero mu kwubaka amashure, mu bijanye n'amagara y'abantu no mu kwubaka amavuriro.

Twobamenyesha yuko ibikorwa vy'ukuvuga ubutumwa bwiza iryoshengero ryabitanguriye mu ntara ya Kayanza mu mwaka w' 1933 bakaba barashitse mu ntara ya Ruyigi, muri komine Butezi Kw'Isumo mu 1948.

**Pétronie BUCUMI**

# IMPINYANYURO N'IYEMEZWA RY'INTEGURO Y'IBWIRIZWA RYEREKEYE AMATEGEKO NGENDERWAKO MU NAMA NSHINGAMATEKA

Ku munsi wa gatanu, igenekerezo rya 22 Ruheshi 2018, Inama Nshingamateka yarahinyanyuye yongera iremeza ijana kw'ijana amategeko ngenderwako muri urwo rwego. Naho ryemejwe n'Abashingamateka bose, iyo Nteguro yaragoranye guhinyanyura, ntawobideha. Impari zatanguriye kw'isorongora ry'amajambo « kwerekeza » canke « guhindura ». Uruhande rumwe bashikirije ko niba iyo nama ya bose igamije kwerekeza ayo mategeko ngenderwako kw'Ibwirizwa Nshingiro rishasha, izo mpinyanyuro rero ntizikenewe. Ari nako kwemeza badahigimanga ko ayo mategeko ngenderwako yahinduwe.

Haba na mba ! Uko niko mu wundi murwi bavyiyamirije. Basiguye yuko iyo ikiringo gishasha gitanguye, Abashingamateka bahera kwumvikana ku mategeko ngenderwako azobagenga. Ikindi naco, ngo ikiringo ca none kirakwije

imyaka itatu, bisigura ko gisigaranye gusa amezi 24. Bati nimureme noneho, mw'ijambo Nyenicubahiro Petero NKURUNZIZA, Umukuru w'Igihugu, yashikirije i Bugendana amaze gushira umukono kw'Ibwirizwa Nshingiro rishasha, yaramenyesheje ko inzego zavuye mu matora yo mu 2015 bazorangiza ikiringo cabo mu 2020. Bati ivyo vyose birerekana yuko ayo mategeko ngenderwako yerekejwe kw'Ibwirizwa Nshingiro rishasha, ariko atahinduwe. Ivyo biti hwe ! Hinge naho hace haduka impari zifatiye ku mitigiri. Mu gihe ingingo y'171 y'Ibwirizwa Nshingiro rya kera itegekanya Ivyegera vy'Umukuru w'Inama Nshingamateka, amategeko ngenderwako yoyo aratomora mu ngingo yayo ya 19 ko ivyegera vy'Umukuru w'Inama Nshingamateka ari babiri. Vyongeye, ingingo ishimikira ku migambwe myinshi mu biro vy'Inama Nshingamateka yarafuswe. Bamwe rero baca bibaza ico iryo kumira rigamije. Hari Umushingamateka yahumurije bagenzi biwe ko ata muti wishe Nshingamateka cisunga ihangiro ry'ibiro vy'Inama Nshingamateka.



ibere, mu gihe naho bovuga ivyegera bibiri , aba baba bari mu murwi w'ivyegera, mu bwinshi ! Igikuru ngo ni uko hataba icegera kimwe gusa. Gurtyo rero, ayo mategeko ngenderwako, asanzwe afatwa nk'ayo gushira mu ngiro Ibwirizwa Nshingiro, biragaragara neza ko aba yerekeza koko kuri iryo Bwirizwa risumba ayandi. Hari n'uwibukije kandi ko igitigiri c'Ivyegera vy'Umukuru w'Inama Yahanuye kandi ko batosubira ku burusho bwari buhasanzwe. Yaboneyeho gurtyo kuremesha abari bahagaritswe umutima n'uko ata migambwe myinshi izotegerezwa kwibonekeza mu biro vy'Inama Nshingamateka

**Christine NAHIMANA**

# UMWIHWEZO W'INTEGURO Y'IBWIRIZWA RIGENGA UBURYO LETA IZOKORESHA MU KIRINGO CA 2018-2019.

Kuva ubu, Sentare igenzura amatungo ya Leta isigaye ifise ububasha bwo guhana, nk'uko vyishimiwe n'Umukuru w'iyo Sentare mu gihe yariko aratanga intumbero y'Integuro y'Ibwirizwa ryerekeye Uburyo Leta izokoresha mu kiringo ca 2018-2019, hari mu nama ya bose yo ku munsi wa gatanu, igenekerezo rya 22 Ruheshi 2018. Elysée NDAYE yabandanije amenyesha yuko iyo Sentare yahora yihweza ikongera igaterera ivyiyumviro ku vyokorwa mu ntumbero yo kugenzura ibikorwa vya Leta. Ubwo bubasha rero bwo guhana iyo Sentare ibukesha Ibwirizwa Nshingiro rishasha.Uyu mwihwezo w'Integuro y'Ibwirizwa rigenga Uburyo Leta izokoresha mu kiringo ca 2018-2019 uje wisunga nyene iri Bwirizwa risumba ayandi yose ryo mu ngingo yaryo y'182 ivuga ko « umwaka uburyo bwa Leta bumara utangurana n'itariki imwe y'ukwezi kwa Mukakaro, ugasozerwa kuwa 30 Ruheshi z'umwaka ukurikira ». Muri rusangi, ngo ingingo 89 zahora mw'Ibwirizwa rigenga Uburyo bwa Leta mu mwaka w'2018 zasubiwemwo atagihinduwe mu Nteguro y'Ibwirizwa rigenga Uburyo Leta izokoresha mu kiringo c'2018-2019, mu gihe hari ingingo imwe yahinduwe mu ntumbero yo kuyerekeza kuri iryo Bwirizwa Nshingiro rishasha. Nko ku vyerekeye uburyo Leta izosohora, iyo Sentare irerekana ko hari amatagisi yinjije mu kigega c'igihugu kuwa 31 Rusama 2018 uburyo bugera ku 4.583.542.438 FBU kandi ataho vyanditswe, yaba mw'Ibwirizwa rigenga Uburyo bwa Leta mu 2018, haba no muryo mu kiringo c'2018-2019. Iyo Sentare igasaba rero ko ayo matagisi yokwandikwa mu Nteguro y'Ibwirizwa rigenga Uburyo bwa Leta mu kiringo c'2018-2019.

Yamara, Abashingamateka baraguye mu gahundwe bumvise ivyo. Ari nako kubaza ingene amafaranga yiyadukiza ata na hamwe yanditswe. Mbe hoho, amaherezo y'ubwo buryo ni ayahe ?

Mu gutanga inyishu, Umukuru wa Sentare igenzura amatungo ya Leta

yabanje guhumuriza Abashingamateka ko urwo rwego arongoye ubu ko rwaronse uburenganzira bwo guhana, rugiye guca amande abanyabigega bazokwagirwa n'amakosa. Elysée NDAYE yasiguye kandi ko ayo mafaranga aba yatojwe n'ikigo OBR aheza akerekeza mu kigega ca Leta.



Iyo nama ya bose yaragaragaje kandi impungenge mu gihe impamba itekererwa abarungitswe guserukira igihugu mu makoraniro mpuzamakungu abera mu mahanga iza yaraheze mu nzego zimwe zimwe.

Umukuru wa Sentare igenzura amatungo ya Leta yamenyesheje ko guhera kuwa mbere Mukakaro hazokora ikigega kidasanzwe. Hagati aho, muri Kigarama ngo hazoba isubirwamwo ry'uburyo Leta ikoresha. Ariko ngo mu kurindira ico kiringo, yahanuye ko inzego zokwivuganira n'ubushikiranganji bujejwe ikigega ca Leta. Hari n'abandi Bashingamateka baneguye akarusho gahabwa abanyamitahe kugira bazohore binjiza ibidandazwa batabanje kubirihira ikori. Barashitse naho basaba mbere ko Ibwirizwa rijanye n'utwo turusho ryosubirwamwo. Kubwa Elysée NDAYE, ngo uyo mugambi wo gutanga mwene utwo turusho ntiwari mubi. Yatanze akarorero nkako umurwizatunga yaronse ako karusho, maze nawe agaca arwiza ubuzi, gurtyo rero abenegihugu bakahatorera akoyoko. Kibi gusa, ni uwuhabwa mwene utwo turusho, ntaheze nawe ngo agakoreshe mu guteza imbere igihugu. Yongeyeko kandi ko mwene utwo turusho turi ubwoko bwinshi. Mbere ngo hari n'utugenzwa n'amasezerano mpuzamakungu yatereweko igikumu i Vienne, mu gihugu ca Autriche, mu gihe utundi turusho twisunga amategeko agenga abanyamitahe. Yahanuye kandi ko imbere yo gusubiramwo iryo bwirizwa ryerekeye utwo turusho, hobanza hagakorwa icigwa kijanye n'ico tumariye abenegihugu.

Ku vyerekeye uburyo Leta izosohora, imirongo ijanye na « abafise uruhara mu matora », « guterera amatora » no « kuriha ibirarane » niyo yahinduwe mu Nteguro y'Ibwirizwa Leta izokoresha mu kiringo ca 2018-2019.

Ku bijanye n'ivyo iyo Sentare isaba ko vyokorwa, ibisabo vyo mu mwaka uheze bitagiye mu ngiro vyarasubiye kugaruka muri ino Nteguro y'ibwirizwa, mu gihe hiboneke je n'ibindi bisabo bishasha.

**Christine NAHIMANA**

## IHINYANYURWA N'IYEMEZWA RY'INTEGURO Y'IBWIRIZWA RIGENGA UBURYO LETA IZOKOREHA MU KIRINGO CA 2018-2019.

Uburyo Leta itegekanya kwinjiza mu kigega mu kiringo ca 2018-2019 buharurwa mu 1.237.125.399.430 mu gihe uburyo izokoresha muri ico kiringo nyene buzoba bungana na 1.400.674.793.623. Ivyo biharuro vyatanzwe, ku munsi wa mbere, igenekerezo rya 25 Ruheshi 2018, n'Umushikiranganji ajejwe Ikigega ca Leta, Domitien NDIHOKUBWAYO, mu nama ya bose yari igamije guhinyanyura no kwemeza Integuro y'Ibwirizwa rigenga Uburyo Leta izokoresha mu kiringo ca 2018-2019, iyo Nteguro ikaba yemejwe ijana kw'ijana. Iyo Ntumwa ya Leta yarasiguye kandi ko intumbero nyamukuru y'iyo Nteguro y'Uburyo Leta izokoresha ari ukuyerekeza ku Bwirizwa Nshingiro rishasha mu ntumbero yo gukurikiza amategeko, kuko ngo boba bayarenze mu gihe bobandanya bagendera kw' Ibwirizwa rigenga Uburyo Leta izokoresha mu 2018, iri naryo rikaba ryarataye igihe. Umushikiranganji Domitien NDIHOKUBWAYO yabandanije amenyesha ko mu gihe Ibwirizwa rigenga Uburyo Leta izokoresha mu kiringo ca 2018-2019 rizoba ririko riraja mu ngiro, abahinga mu bushikiranganji

arongoye bazoba bakurikiranira hafi : (i) umurindi ubwo buryo buriko burakoreshwa, (ii) uburyo bwinjizwa n'ikigo OBR, (iii) ihindagurwa z'inyandiko zimwe zimwe zijanye n'amakori, ku ruhande rumwe ; ku rundi ruhande, bitewe n'abagize Leta bahinduwe kuwa 19 Ndamukiza 2018, ubushikiranganji bwinshi buzohindura ingene butunganije hisunzwe ivyo Ibwirizwa Nshingiro rishasha ritegekanya. Ivyo vyose bizotuma hasubirwamwo Ibwirizwa rigenga Uburyo Leta ikoresha muri Kigarama 2018 mu ntumbero yo gushira ivyo vyahindutse mw'Ibwirizwa rigenga Uburyo Leta izokoresha mu kiringo ca 2018-2019, nk'uko iyo ntumwa ya Leta yabishikirije imbere yo kwatura ko amezi atandatu ya mbere y'umwaka w'2018 afatwa nk'uko yakoreshejwe uburyo budasanzwe. Umugwi ujejwe ubutunzi wize vy'umwihariko iyo Nteguro y'Ibwirizwa, waribukije ko hakiri Ubushikiranganji bw'Iterambere ry'Amakomine bwari bufise uburenganzira bwo gutanga akazi. Igitera amakenga, ni uko ubwo bushikiranganji butakibaho. Yamara, igisata cerekeye « Iterambere rishigikira abenegihugu» kibarizwa mu Bushikiranganji bujejwe Intwaro yo hagati mu gihugu, Inyigisho zo gukunda igihugun'Iterambere ry'abenegihugu. Ari nako kubaza ko ubwo bushikiranganji buzobandanya butanga akazi muri iryo Bwirizwa ririko ririgwa.

Umushikiranganji Domitien NDIHOKUBWAYO yaratanze umuco. Kwari guha akazi umuhinga ajejwe inyubako kuri buri komine mu ntumbero yo gufasha gutegura imigambi y'amakomine. Muri kino gihe, ngo ico gikorwa co gutanga akazi caraheze, abo bahinga nabo bari ku kivi. Yarahumurije ko muri iyo Nteguro, abo bahinga



bozoguma ku murimo.

Ingingo ya 66 yaragarutse muri iyo nama ya bose. Abaserukira abenegihugu bagumye batangazwa n'uburyo bwinjira mu Kigega ca Leta kandi ata na hamwe vyanditse. Intumwa ya Leta yarabahishutse ko kwabaye ukwihenda. Iyo nama ya bose yarasavye insiguro ku buryo busanzwe butegekanijwe ariko ntibuboneke. Bameneye inda ku rukumu, bavuze ko ari akarusho kajanye n'ukwiyunguruza ku bategetsi bo muri Sentare igenzura amatungo ya Leta. Ico kibazo gisanzwe kizwi n'Umushikiranganji ajejwe Ikigega ca Leta, ari naco gituma yabahishuriye ko iyo ngorane isanzwe yibonekeza mu nzego zitandukanye, nko mu bushikiranganji arongoye canke mu bujejwe Intwaro ibereye. Ninde aronka canke ataronka ako karusho ?, aho niho ikibazo kiri, nk'uko iyo Ntumwa ya Leta yabandanije abisigura, aca agirako amenyesha ko hari abakozi bakuru bakuru bo muri iyo Sentare bama baronka ako karusho. Vyongeye, Abashingamateka barashimangiye kuri bwa buryo bungana n'imiriyoni 500 buhabwa amakomine uko umwaka utashe. Yamara, baratewe amakenga n'uko umwaka w'ikiringo kitasanzwe ugeze ku musozo ubwo buryo butaraboneko. Niho rero bashatse kumenya niba amakomine azoronkera rimwe ubwo buryo bw'imyaka ibiri muri iyi Nteguro y'Ibwirizwa ijanye n'Uburyo Leta izokoresha mu 2018-2019. Ntivyoshoboka ! Uko niko Umushikiranganji yavyiyamirije. Naho biri uko, yarahumurije ko Leta izokwishura umwenda ku migambi yariko iraja mu ngiro. Abashingamateka baravugiye ishirahamwe SETEMU. Umushikiranganji Domitien NDIHOKUBWAYO yarabahishutse ko uburyo bwo kugura amapompo buza bwaratanzwe. Bishitse kuri iyo ntambwe, ikibazo ngo gica kibarizwa mu Bushikiranganji bujejwe iryo shirahamwe.

**Christine NAHIMANA**


# INAMA NSHINGAMATEKA

**UMUKURU W' IYANDIKIRO**
**Providence NIKIZA**

**ABANDITSI**
**Florine MUKESHIMANA**
**Arlette AKIMANA**
**Pétronie BUCUMI**
**J Baptiste Claude NIJIMBERE**
**Christine NAHIMANA**

**AMASANAMU**
**Richard NDAYISENGA**
**J Baptiste Claude NIJIMBERE**



**Palais des Congrès de Kigobe**
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07